**Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika**
**Umwaka wa 72**
**Gisohoka kabiri mu kwezi**
**Ikiguzi : 500FBu**

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

*«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a*

*Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06*

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337
**N°837 15 Ndamukiza 2025**

# Inkuka ya Yezu Kriru kw'Altali ( Ibikurikira)

**d) Kwamana n'Umukama wacu Yezu kristu.**

Mu kwitangako Inkuka kuri Altali, Yezu Kristu yatoye uburyo bwo kugumana natwe ubutakituvirira, kuko azi neza ko umuntu afise akanyota ko kugumana canke kubana n'Imana.

Abigishwa babiri Cléofasi na mugenzi we (Inkuru nziza itatubwiya uwari we, ….), baramusavye ngo agumane na bo: "Guma na twe, Mukama, burije, izuba rirarenze" (Luka 24,29).



Mu kugumana nabo nk'uko babimusavye, yakiriye umukate, arakenguruka, arawumanyura, arawubahereza, barawurya. Amaso yabo aca arakanura, baramumenya, yamara, ntibasubira kumubona (Luka 24,30-31). Ntibasubira kumubona kubera iki? Kuko yinjiye muri bo. Niwe bafunguye kandi ntibasubiye kubona ivyo bariye.

Abamusavye kugumana nabo, Yezu yabishuye mu kubihereza mu gisa n'umukate we nyene abahaye kugira ngo abe muri bo, gutyo agumane nabo, ubutakibavirira gushika ku muhero w'isi (Matayo 28,20). Yari yarabibuye atarapfa ku musaraba, ati: Uwuriye umubiri wanje, akanywa n'amaraso yanje, aba muri jewe nanje nkaba muri we (Yohani 6,56).

Uwo yitangako rero imfungurwa mu gisa n'umukate, ni we nyene aguma natwe m'Ukaristiya ngo tubane, tumuture ivyacu vyose. Si igishusho, si icibutso si ikigereranyo. Ni Yezu Kristu we nyene ubwiwe.

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Diyoseze ya Bubanza yaraye ironkejwe Umwungere mushasha



Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Kurengera indyane z'amacakubiri afatiye ku bwoko birashoboka……6
o Inyishu ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu mu Rumonge……8
o Ikibano gifise uruhara uruhe mu gufasha abantu bihereza ibiyayuramutwe?……9
o Uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro……10

# Idominika ya Pasika: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Ibik.Vy'abat.: 10,34 - 43*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa:

*(Twebwe twarafunguye turanywa hamwe na We amaze kuzuka mu bapfuye)*

Petero ngo ashike i Sezareya kwa Koroneliyo, asama ijambo ati: «Murazi neza ivyabaye mu Buyuda bwose, uhereye mu Bugalile kuva muri ca gihe Yohani yigisha ibatisimu. Murazi ingene Yezu w'i Nazareti yaronse Mutima Mweranda be n'inganji y'Imana, hanyuma akagendura igihugu cose agira neza aho aciye hose, abohora abari mu ngoyi za Shetani; kanatsinda yari yuzuye Imana. Twebwe rero, turi ivyabona vy'ivyo yakoze vyose mu ntara y'Abayuda be n'i Yeruzalemu.

Ni We bahavuye bica, bamumanika ku giti c'umusaraba. Ariko Imana yaramuzuye ku musi ugira gatatu, imuha n'ububasha bwo kwibonekeza; ntiyabonekeye igihugu cose, yabonekeye ivyabona Imana yari yitoreye, twebwe twafunguye tukanywa hamwe na We amaze kuzuka mu bapfuye. Kandi yadutegereje kwigisha igihugu n'ukwemeza ko ari we Imana yahaye intahe ngo acire urubanza abazima n'abapfuye. Ni We abahanuzi bayaze aho bavuga yuko uwuzomwemera wese azoronka, ku bwi'zina ryiwe, ikigongwe c'ibicumuro yakoze.»

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyakolosi: 3, 1-4*

Ivyo dusoma mw'Ikete Umutumwa Pawulo yandikiye Abanyakolosi:

*(Nimurondere ivy'ijuru, aho Kristu avyagiye)*

Ncuti zanje,
Nimwaba mwazutse hamwe na Kristu, nimurondere ivy'ijuru, aho Kristu avyagiye iburyo bw'Imana; nimwamize agatima ku vy'ijuru, mureke kwumira ku vy'isi. Koko, mwasangiye urupfu na Kristu, kandi ubuzima bwanyu buracahishijwe hamwe na We mu Mana. Aho Kristu azoserukira, We buzima bwanyu, ni ho namwe muzoserukana na We mu buninahazwa.

## Inkuru nziza: *Yohani 20, 1–9*

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Yohani:

*(Yezu yabwirizwa kuzuka mu bapfuye)*



Umusi wa mbere w'indwi, Mariya Madalena yagiye ku ruhafu mu gitondo kare, bugihwibiriye, araheza abona ko ibuye barikuye ku ruhafu. Ariruka asanga Simoni Petero na wa mwigishwa Yezu yakunda, ababwira ati: «Bakuye Umukama mu ruhafu, kandi ntituzi iyo bamushize.»

Petero rero aca aragenda, ajana na wa mwigishwa wundi, baja ku ruhafu. Bompi bagenda bariruka, ariko wa mwigishwa wundi arasiga Petero, amutanga ku ruhafu. Arunama rero, abona za mpuzu ziri hasi, ariko ntiyinjira. Simoni Petero aje amukurikira, arashika na we. Yinjira mu ruhafu, abona za mpuzu ziri hasi n'ikiremo cari kimupfutse ku mutwe; ico kiremo nticari kumwe n'izindi mpuzu, cari kizingiye ukwaco. Wa mwigishwa wundi yari yamutanze abona na we kwinjira mu ruhafu; araraba, aremera. Ugasangwa ntibari bwategere ko, nk'uko vyanditswe, Yezu yabwirizwa kuzuka mu bapfuye

# Diyoseze ya Bubanza yaraye ironkejwe Umwungere mushasha

Ku wa gatandatu igenekerezo rya 5 ndamukiza 2025, ku kibuga c'umupira w'amaguru c'intara ya Bubanza, ni ho Nyenicubahiro Musenyeri Emmanuel Ntakarutimana wo mu Muryango w'Abapatiri ba Dominiko, yatirwa mw'ibanga ry'Ubwepiskopi ngo arongore Diyoseze ya Bubanza. Akaba yatiwe na Musenyeri Dieudonné Datonou, intumwa ya Papa mu Burundi, ahagatiwe na Benicubahiro Musenyeri Bonave-nture Nahimana (Gitega) na Georges Bizimana (Ngozi).

Urwo rubanza rukaba rwari rwitabwe n'abepiskopi bose b'i Burundi, abepiskopi batatu baje bava mu gihugu kibanyi c'Urwanda, Umwepiskopi mukuru w'Ikotonu mu gihugu ca Benin, Furera Mukuru w'Abafurera b'-Abadomikani, abihebeyimana, abasaserdoti n'isinzi ry'abakristu bavuye mu mihingo y'Uburundi.

Mu nyigisho yiwe, Musenyeri Dieudonné Datonou, Intumwa ya Papa mu Burundi, yaribukije abari aho ko: « Dukoranye ngo dukengurikire Imana ku ngabire y'Umwungere mushasha Imana yaraye ituronkeje. Umusubirizi w'Abatumwa ategerezwa kuguma anywanye na Kristu. Iki gituma dukoranye ni ikimenyetso c'ubunywanyi bw'Ekleziya. ».

Yerekeje kuri Musenyeri Emmanuel Ntakarutimana, yagira yatirwe muri iryo banga, yisunze n'Ijambo ry'Imana ryari ryateguriwe uwo mugirwa, yagize ati, « kurya Musa yabonye muri Yetro sebukwe, umuhanuzi abushitse mu gukurikiza amategeko y'Imana, niko nawe uhamagariwe gutega amatwi Imana mw'ijambo ryayo, akumviriza n'abantu mu bihe vyose. Ijambo ry'Imana rirakubera isoko n'iherezo ry'Ubutumwa bwawe bwo kumenyesha Inkuru nziza utadohoka, uyobore ubusho ushinzwe n'ubwira bwinshi, ntutinye kwitanga ».

Yasavye abasaserdoti kwumviriza umwungere wabo, kutamutererana ubutumwa, bamubonemwo Musa barungikiwe ngo abigishe, abayobore kandi abatagatifuze, baramufa-sha kugira ashobore kurangura ubwo butumwa bw'Umwungere.

Iyo nyigisho irangiye, ha kurikiye umugirwa w'Ukwatira Musenyeri Emmanuel Ntakarutimana mw'Ibanga ry'Ubwepiskopi.

Mu gukenguruka, Musenyeri Emmanuel Ntakarutimwa, Umwungure mushasha wa Diyoseze Bubunza, ati: « Muzomonya ukuri, maze ukuri kuzobagira, abidegemvya». Iryo niryo jambo ryo mu nkuru nziza ya Yohani (Yohani 8,32) yashimye ko ryokwama rimumurikira.

Mu gushimangira asigura ico civugo ciwe, yaribukije ko igihe Papa Fransisko yariko arifuriza umwaka mwiza abaserukira ibihugu vyabo, yabasavye kuba abantu b'umwizero kandi bakawutanga.

Yarongeyeko ko amaze ashikiriza umwitwarariko afise ujanye n'ubukene bw'ikintu citwa «ukuri», yagize ati : «Muri iyi myaka tubayemwo, Ukuri yasanze gutegerezwa umwitwarariko ukomeye. Kubw'Umuvyeyi wacu Papa rero, kuvuga ukuri, kugendera mu kuri, kugenzwa n'ukuri, kugaragara nk'ikintu c'inkoramutima mu bihe tugezemwo. Tubishima tutabishima, ukuri kuguma ari ukuri, kugafatira ku biriho n'ukuntu tubimenya. Ukuri n'urukundo nizo nkingi z'ubuzima. Ukuri gutegerezwa gukingira urukundo nk'uko urukundo rutegerezwa gukingira ukuri ».

Musenyeri Emmanuel Ntakarutimwa, abandanya amenyesha ko no ng'aha mu Burundi bwacu, dukeneye ukuri, muri aka karere k'ibiyaga binini, tugikeneye kugendera mu kuri, eka ngo n'isi yose irakeneye kuba mu kuri.

Mu migambi yihuta, Musenyeri Emmanuel Ntakarutimana yamenyesheje ko agiye kubanza kumenya amaparuwase n'ubutumwa burangurirwa muri diyoseze, ko aya mezi abiri ya mbere, azoba ari ayo kugendera amaparuwase, kuganira n'abasaserdoti n'abandi bashinzwe ubutumwa mu bisata bitandukanye muri diyoseze kuko ngo ni vyiza kumenyana no kuganira.

**Iyo migambi nayo agiye kwitwararika ni indwi :**

**<u>Ica mbere</u>: Kuremesha ibanga ry'ubusaserdoti.**

Abasaserdoti ni kirumara mu muryango w'abakristu, birakenerwa kubiyegereza, tukaremeshanya na bonyene bakegerana, bagasangira akanyamuneza k'ibanga basangijwe na Yezu Kristu. Ni vyiza ko bizerana, bakengengana, bakaremeshanya mu rugendo rusangi bari kumwe n'abana b'Imana bagize umuryango wa Ekleziya.

**<u>Ica kabiri</u>: Guhimbarwa n'ibanga ry'ukwihebera Imana.**

Abihebeyimana ni itunga rihambaye muri Ekleziya. Imiryano itandukanye y'ababikira, iriho muri iyi diyoseze, nayo nyene ikaba ikeneye kurema. Imiryango y'abihebeyimana y'abagabo iri ku rushi. Tuzobandanya dusaba Imana ngo imurikire diyoseze ku bijanye n'abo bihezimana.

**<u>Ubwa gatatu</u> : Kuremesha ingo n'imiryango.**

*Ibik. urup.4*

# Diyoseze ya Bubanza yaraye ironkejwe Umwungere mushasha

(Bitangurira ku rup. 3

Nico civuga diyoseze ya Bubanza yari yashimye kwubakirak uno mwaka. Ingo ziremye, imiryango yifasahe niho tuba dufise umushinge Ekleziya n'igihugu vyubakirako

**Ubwa kane : Ukunywana n'ukunywanisha abantu.**

Izi ntara za Bubanza na Cibitoke, zaraciye mu bintu bitoroshe kandi bitari bike.

Naho agahengwe koboneka, haguma umwitwarariko w'ibiriko birabira m karere k'ibiyaga binini, bigahura n'ibikomere bishobora kuba bikiri ku mutima, n'ihahamuka, nubwoba.

Ico kibazo c'ukunywana n'ukunywanisha abantu kiguma kitwega kandi bimwe bizosaba ko dusangira ubutumwa n'aba duhana urubibe muri Republika iharanira demokrasi ya Congo hamwe n'igihugu c'Urwanda.

Tukaba duhimbawe na benewacu baje kudufasha urubanza, imigenderanire ni iyo nyene.

**Ubwa gatanu: Umuryango wisuganya mu biwutunga bikawuteza imbere.**

Icerekezo c'umwitwarariko, abasaserdoti n'Umwepiskopi yari ahagarariye Papa mwaracicariye mu mwaka w'2023, maze kuwa 29 mukakaro 2023, Umwepiskopi arashinga indinganizo y'ukuntu



Paruwase yose yokwisuganya ifatiye ku vyo ifise kandi igafadikanya n'abakristu balayike usanga bafise n'ubuhinga butandukanye, gutyo paruwase yose ikagira ubutwari mu migambi no mu bikorwa vy'iterambere, kuko ivy'ukwaya amaboko, tuganyira abanyamahanga bikwiye kugenda bigabanuka, mu gihe ububangu-tsi n'ubukerebutsi vyoge-nda bireme.

Hari ivyo paruawse na diyoseze bitokwishoboza niko, bigakenerwa ko tubandanya twiyumvirira hamwe icokorwa kugira ngo abashinzwe ubutumwa bashobore kwiyunguruza, abasaserdoti n'abo basangiye ubutumwa babandanye bakarisha ubwenge.

**Ubwa gatangatu: Umugambi w'isengero nkuru Katedrale ya Diyoseze.**

Uwo mugambi nturashobora kuranguka ngo uhere. Umwitwarariko wo kuwusubirako, urashikirizwa n'abantu batari bake. Birakenewe rero ku usubira kwicarirwa ngo ukorwe kandi abalayike mufise ubuhinga muri ibi na biriya, uburyo ubu na buriya, tuje ku kivi.

Uwo mutima w'umwete w'iterambere mu mice yose y'ubuzima bw'umuntu niwo twokwitwararika muri diyoseze ku bijanye n'abantu bose, ingo n'imiryango, amashirahamwe, amashure, eka n'ibindi bice vyose bizana akarusho mu kubaho kw'abantu.

**Ikigira indwi: Imana ni imwe ariko abayemera bakaba kwinshi.**

Ugusenga bifasha mw'iterambere ry'igihugu. Amashengero yemejwe n'ingingo y'ubushikiranganji mu vyo bushinzwe harimwo intwaro yo hagati mu gihugu, ari na bwo bukurikiranira hafi ibijanye n'amadini n'amashengero, arashika ku gitigiri c'764.

Uwosubira gutohoza neza yosanga ico gitigiri cariyongereye kandi uko kwiyongera kw'igitigiri c'amadini n'amashengero kwaragaragaye cane muri ino myaka 25 yanyuma. No ngaha muri diyoseze ya Bubanza, amadini n'amashengero ariho atari make.

Mu bumwe bw'abana b'Imana, tuzobandaya turabira hamwe ukuntu ukwemera Imana ryobandanya riba isoko ry'urukundo n'-ugufadikanya mu mubano no mw'iterambere; nukurabira hamwe ukuntu imigenzo myiza n'ukubabarana cane cane ku bakene n'abandi baruhijwe n'ubuzima kubera imvo zitandukanye vyobandanya bira imbere.

Tuzobadanya turaba ukuntu ukwemera kwacu kwobandanya gutomoka kugira tubandanye tugiriranira imigenderanire myiza n'ayandi madini

**Indinganizo y'inzego za diyoseze.**

Ubuzima bwa diyoseze buguma bubabndanya, nico gituma hariho inzego za diyoseze zitegerezwa kuguma zikora amabanga akenewe. A-ri naco gituma, inzego zikurikira zibandanya ziyobowe n'aba bakurikira:

1) Icegera ca Musenyeri ni Musenyeri Nurwuburundi Théogène

2) Ivyariho vy'Umwungere mu ntara zine zigize diyoseze :

- Mu ntara ya Bubanza ni Patiri Willerme Ndorere.

Ibik. urup.12

# Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

(Bitangurira ku rup. 1

II. **Inkuka ya zina mukristu**(Abaheburayo 10, 5 – 10)

Yezu Kristu ari we Pasika yacu, yaritanze ko inkuka ikiza abantu bose igicumuro n'urupfu kandi ikatwuzuriza na Data. None umukristu hari ico abwirizwa gukora?

Inyigisho ya Ekleziya Gatolika itubwira iti: "Umusaraba ni yo nkuka imwe rudende ya Kristu, umukandizi rudende hagati y'Imana n'abantu. Ariko, kubera ko mu kwigira umuntu yifatanije wenyene na zina muntu, aronsa abantu bose, ku buryo Imana yonyene yimenyera, ubushobozi bwo kwitanga nawe mu mabanga ya Pasika (CEC n° 618).

Yezu ahammagarira abigishwa biwe kwikorera umusaraba wabo no kumukurikira kuko yababaye kubwacu, yaduciriye inzira ngo natwe duce mu makanda yiwe. Kukaba nkako, Yezu yashimye gusangira ku nkuka icungura abantu, abo nyene bayigenewe ubwa mbere (CEC n° 618)

Duca dutegera rero ko zina mukristu wese afise uruhara rumwega mu guhereza inkuka izanira abantu urukiza.

*None iyo nkuka ni nyabaki? Urwo ruhara rukwega rwo ni uruhe?*

Nta yindi nkuka iriho ishobora gushika ku nyota Imana no gukiza abantu atari iyo Yezu Kristu yatanze ku musaraba ikabandaniriza kw'altali. Nayo ni imwe yamye ishaka guherezwa kuva kara na rindi:

• Inkuka ituma Imana ihabwa iteka n'ininahazwa (l'holocauste)
• Inkuka ikura kandi ikishura ibicumuro (sacrifice pour les péchés)
• Inkuka yuzuriza Imana n'abantu (sacrifice de communion)

None umukristu ayihereza ate?

***1) Inkuka ininahaza Imana***

Umukristu wese asangizwa ku buherezankuka bwa Kristu nkuko Petero mweranda abitubwira ati: "Namwe rero ....nimube amabuye y'inyubakwa ya Mutima, muronke ubuherezankuka (ubusaserdoti) bweranda, kugira ngo muhereze imbagwa muri Mutima, zishimisha Imana kubwa Yezu Kristu (1Petero 2,5).

Ubwo buherezankuka bw'abakristu, bwitwa ubuherezankuka bw'ubwami canke ubuherezankuka (ubusaserdoti) rusangi, tubuhabwa kubw'ibatisimu:

«Mw'ibatisimu, Imana Mushoboravyose, Se w'Umukama wacu Yezu Kristu, yabakijije igicumuro, kandi yabaremanye umutima mushasha, muvutse ubwa kabiri mu mazi no muri Mutima Mweranda. N'ubu irabasize amavuta meranda, ngo mwinjire mu gihugu cayo, muhorane iteka ryo kuba ingingo za Kristu we yama ari Umausaserdoti, umuhanuzi n'umwami». Buratandukanye n'ubuherezankuka (ubusaserdoti) bw'abapatiri bwitwa ubukerezankuka bw'ubutumwa canke bw'ubusuku. Buhabwa abatorerwa iryo banga, bakatirwa ngo baserukire Kristu mu gusukurira igihugu ciwe.

Zina mukristu wese rero ahamagariwe guhereza inkuka zishimisha Imana mu buryo butatu:

*a. Mu guhereza n'umutima wose, yifatanije n'umusaserdoti, mu nkuka ya misa,*

Wa mukristu we, ntiwagenewe kwumva imisa!!! Wagenewe guhereza inkuka. Uri umuherezankuka w'imisa wifatanije n'umusaserdoti yatiwe ngo ahagararire Yezu Kristu yitangako inkuka.

Kumwe Bikira Mariya iruhande y'umusaraba yahereza inkuka y'umwana wiwe n'Umukama wiwe ngo Imana ininahazwe abantu nabo barokoke, niko nawe watorewe kuba iruhande y'altali ngo uhereze inkuka y'Umuvukanyi n'Umukama wawe Yezu Kristu wifatanije n'umusaserdoti, kugira ngo Imana ininahazwe abantu nabo barokoke.

*b. Mu kwihereza Imana wenyene ubwiwe*

Paulo mweranda abwira abakristu b'i Roma ati: "Benewacu, ndabahanuye kubw'ikigongwe c'Imana ngo mwihereze mwebwe nyene bwa mbarwa nzima, nyeranda kandi ishika Imana ku nyota (Rom 12,1).

Bimenye neza wa mukristu, kubera ko Yezu yitangako inkuka, yashimye ko umukristu wese yitanga kumwe na we! Imana Data irashaka ko uyihereza nk'inkuka yo kuyininahaza.

Ivyo warabitanguye umunsi wahabwa ibatisimu....

Imana ishaka ko uguma ubirangura, ubigendera iminsi yose na hose. Mbere iryo ni shikanwa rikuru Imana ikwitezeko, n'ayandi mashikanwa yose utanga ni ayo guserura umutima wo kwihereza Imana wewe nyene (cfr consécration).

Muri Ukarisiya Nyeranda twakira Umubiri n'Amaraso ya YEZU KRISTU. Uwuyakiriye yiteguye aronka ubukomezi bumufasha kuninahaza Imana kuri iyi si yitegurira kuzoyininahaza mwijuru.

Ariko none, birakenewe ko twitegurira Ukaristiya ! Niba bikenewe naho twokwitegura gute ? Ng'ivyo ivyo tugire turabire hamwe muriki gice ca kabiri.

***2. Uko twokwitegurira guhimbaza no kwakira Ukarisiya.***

Nk'uko twamaze kubivuga, Pasika ya Yezu igereranywa no gufungura Pasika mu gihe c'abayahudi. Iyo nayo yaritegurirwa kandi bikomeye cane. Dusomye muri Luka 22,1-2 ; Mariko 14, 1-2; Matayo 26, 1-5 ,17;

Ibik. urup.12

# Kurengera indyane z'amacakubiri afatiye ku bwoko birashoboka:

## uburorero bw'imiryango yo mu bwoko butandukanye mu gihe c'amakuba yo mu 1993

Mumwaka w'i 1993, gatoyi inyuma y'itorwa n'igandagurwa ry'umukuru w'igihugu Melchior Ndadaye, harabaye ubwicanyi mu mihingo itandukanye y'igihugu, butanguriwe n'iyicwa ry'uwo yari ahejeje gutorerwa kurongora Uburundi. Abantu baracanyemwo, abahutu barica abatutsi, abatutsi barica abahutu. Ubwo bwicanyi bwatumye igihugu kija mu ruhagarara rw'umwanya muremure, abantu baricamwo imirwi ifatiye ku bwoko, gushika aho n'uburere bumwe bumwe bwiganzirwa n'abari mu bwoko ubu canke buriya. Muri ico gihe, abenegihugu bo muri komine Nyabihanga intara ya Mwaro bagumye bafatanye mu nda barubaka ikibano ciza hagati y'abadasangiye ubwoko.

Mu bikorwa vy'umugambi «Barundi Tubiyage» uriko ushirwa mu ngiro n'ishirahamwe mpuzamakungu "Impunity Watch" rifadikanije n'ishirahamwe ry'abakenyezi b'abamenyeshamakuru AFJO, twarishikiye muri Komine Nyabihanga kuganira n'abenegihugu baho. Baratuyagira uko bavyifashemwo.

### *Ahari abagabo ntihagwa ibara*

Ndarufatiye Fideli w'imyaka 68, umushingantahe w'ibanga, umwishwa wa Piyo Ndadaye akaba na muvyara wa Melchior Ndadaye aba ku mutumba Miterama agacimbiri Mubayi muri Komine Nyabihanga aho Melchior Ndadaye yavukiye imbere yuko umuryango wiwe wimukira ku mutumba Murama.

Mu 1993, Fideli Ndarufatiye niwe yari arongoye urwego rw'abashingantahe muri Komine Nyabihanga. Vyongeye, ngo yari umukuru w'akarere bita segiteri kari kagizwe n'imitumba Taba, Kivuzo na Miterama. Mu gihe inganda zariko ziratikira mu gihugu cose inyuma y'iyicwa ry'umukuru w'igihugu Melchior Ndadaye, Fideli avuga ko abantu b'i Nyabihanga bafashijwe n'akamo batewe na Piyo Ndadaye umuvyeyi wa Melchior Ndadaye.

Fideli Ndarufatiye ati : «Tumaze kwumva inkuru y'agacamugongo y'uko umukuru w'igihugu yaraye agandaguwe, twese twarahungabanye, turagwa igihumura. Uwo muvyeyi wa Ndadaye aca arahaguruka, azunguruka ku mitumba asemerera ati : «Ndasavye ntimukurikize amaraso umwana wanje, ntawe ntumye kumporera, mufatane mu nda, ntimusese amaraso.»

Fideli avuga ko ako kamo ka Piyo Ndadaye kabaye kirumara cane. Ati: « Nanje nk'umukuru w'urwego rw'abashingantahe muri komine nkaba n'umukuru wa segiteri, naciye ndonka aho mfatira, ndahagararira amahoro uko nshoboye kwose. » Arongera ati : « Nta bara ryaguye muri segiteri yanje, nta bara ryaguye muri komine yacu naho ari twebwe twari twiciwe umukuru w'igihugu. Ahari abagabo ntihagwa ibara».



Ndarufatiye Fideli, umukuru w'urwego rw'abashingantahe muri Komine Nyabihanga mu gihe co 1993 akaba yari arongoye Segiteri Miterama

Abashingantahe b'ibanga hamwe n'abajejwe intwaro, ubwoko bwose mu bumwe, ngo baciye bahagurukira rimwe barafashanya urwo rugamba rudasanzwe rwo guhagararira amahoro.

Mu bantu babaye kirumara cane, Fideli Ndarufatiye aribuka umutama yitwa Kana Matiyasi wo mu bwoko bw'abatutsi wo ku mutumba Murama. Ngo yari umugenzi cane wa Piyo Ndadaye. Abo babiri bari kumwe n'abandi ngo barafashanije guhagararira amahoro muri ico gihe ibintu bitari vyoroshe.

Intahe ya Fideli Ndarufatiye ihuye n'intahe ya Venansi Ndababise w'i-myaka 78, afise umuke-nyezi n'abana 10 n'abu-zukuru 32. Umukenyezi wiwe ni nyinabo wa Melchior Ndadaye. Kuri Venansi rero, Melchior Ndadaye yari nk'umwana wiwe. Ndababise Venansi niwe yaserukira umugambwe Sahwanya Frodebu muri komine Nyabihanga igihe utsinze amatora.

Nk'uko abivuga, ngo mu butandukane bw'amoko yari agize abanywanyi b'umugambwe Sahwanya Frodebu, bose bahagurukiye rimwe barakingiranira. Venansi ati: «Ntitwigeze twemerera abasesa amaraso naho hari abari bashangashiwe nk'uko umengo bogira nk'uko ahandi vyariko birakorwa. Imana yaradufashije turahoyahoya. Ariko ntivyari vyoroshe».

### *Guhana abageni, ikimenyetso c'abarengeye amacakubiri afatiye ku bwoko*

Mu gihe c'intambara yo mu 1993, Kana Matiyasi, umututsi yafadikanije na Piyo Ndadaye guhagararira amahoro muri komine Nyabihanga ngo yari afise umukenyezi w'umututsikazi. Umukenyezi wiwe amaze kwitaba Imana ahitanywe n'urwakarago, Kana Matiyasi yarongoye umuhutukazi. Umubano wiwe n'uwo mukenyezi badasangiye ubwoko ngo

Ibikur. urup. 7

# Kurengera indyane z'amacakubiri afatiye ku bwoko birashoboka:

## uburorero bw'imiryango yo mu bwoko butandukanye mu gihe c'amakuba yo mu 1993

ntaco wigeze utosekaza mu kubaho kwa Kana Matiyasi, ku bana babo bose, ku ncuti ziwe hamwe no mu kibano.

Mpawenayo Lehoniya wo ku musozi Gatwe agacimbiri kibungere wo mu bwoko bw'abahutu, aremeza ko abantu b'i Nyabihanga ata kibazo c'amoko bagifise. Uwo mukenyezi w'abana batatu, avuga ko indero aha abana biwe ari indero y'amahoro n'ikibano ciza. Ati : « Abana banje nabareresheje kwumvikana na bose kandi ivy'ubwoko nasanze ataco bimaze. » Abandanya avuga ko arico gituma mu bahungu biwe batatu, babiri bose barongoye abakenyezi badasangiye ubwoko.

Niyongabo Ignace batazira Ruvyironza wo mu bwoko bw'abatutsi w'imyaka 36 yubakanye na Irahimbaye Divine, umuhutukazi. Ignace avuga ko igihe intambara yo mu 1993 yatera, ngo yari akiri muto, ngo ntavyinshi ayiziko.

Ariko aremeza ko yakuze abona imiryango y'abahutu n'abatutsi b'i Nyabihanga igenderanira, imariranira imanza kandi ihana abageni. Ati : « Nico gituma maze kugera kwubaka urwanje, sinigeze mfatira ku kijanye n'ubwoko. Jewe narondera uwo twubakana dukundana kandi tuzofashanya mw'iterambere. Ivy'ubwoko kuri jewe nticari ikibazo.»

Niyongabo Ignace avuga ko na bene wabo ari uko nyene. Ngo harimwo abubakanye n'abo badasangiye ubwoko. Na bashikiwe ngo harimwo abarongowe mu miryango y'abahutu. Ignace ati : «Ubwoko ntibukiri ikibazo, twese turi bamwe ».

### *Inyigisho z'ukwemera zarafashije mu kwubaka ikibano ciza.*

Ngendakuriyo Nicolas, ni umututsi yahatswe kwicwa, mugabo atabarwa n'abahutu baguma bamama ngo ibara ntiririrwe. Abamutabaye, harimwo abakristu bagira bati : « Nta kamaro tubona mu kwica intungane ngo n'uko afise ubwoko butandukanye n'ubwacu ».

Kukaba nkako, umuryango wa Ngendakuriyo Nicolas (abatutsi) ngo wari wunze ubumwe cane n'umuryango wa Ndikumana Tefaniya, mukuru wa Mpawenayo Lehoniya (abahutu): Feredirika, umukobwa mukuru wa Nicolas, ngo yari yahagarikiwe kw'ibatisimu na Ndikumana Tefaniya. Kuri bo rero, ngo ntanakimwe cotumye haba ugucanamwo muvy'ubwoko.

### *Abakenyezi bagize uruhara rudasanzwe*

Ku bwa Niyonzima Marie Chantal, Musitanteri wa komine Nyabihanga, abakenyezi b'i Nyabihanga ngo baraterereye cane mu gukinga amabi mu 1993. Nk'abavyeyi, ngo babaye abambere mu guhanura abashingantahe babo no mu kuganiriza abana babo ivy'ubaka.

Musitanteri wa komine Nyabihanga avuga ko n'uno musi abakenyezi b'i Nyabanga ari intwari cane. Ngo bibonekera mukwitabira ibikorwa vy'iterambere, mukuja mu mashiramwe n'amahuriro y'abakenyezi n'ingene aho hose baterera ivyiyumviro vyubaka. Ikijanye n'ukwinubana hagati y'abadasangiye ubwoko coco ngo ntikikivugwa.

Mu murwi w'igihugu CVR ujejwe gutohoza ukuri no kurekurira ngo iyo ngendo ni nkenerwa cane mubijanye n'ubutungane bunywanisha. Petero Claveri Ndayicariye arongoye umurwi CVR avuga ko kurengera ubutandukane bw'amoko gushika ku gusabiranira hagati y'imiryango y'amoko atandukanye biri muvyotuma amabi yabaye muri kahise atazokongera gushika mu Burundi. Yabivuze mu kiganiro umurwi CVR watunganije ku wa 7 Ntwarante 2025 ku vyokorwa ngo ibikorwa vyo kumenya ukuri, kurekurira no kunywanisha abarundi biranguke neza.

### *Ubwoko cabaye icitwazo kuvyabaye mu Burundi*

Sylvestre Ntibantunganya yahoze ari umukuru w'igihugu c'Uburundi, atanga akarorero ku bintu yibwiriwe n'abenegihugu bari mu nkambi z'abateshejwe izabo i Muramvya.

Mu gihe ngo yariko aganira nabo inyuma y'intambara ababaza igituma badahunguka, ngo bamwishuye bati : « Twebwe nta kibazo twari dufise co guhunguka. Ariko abahungu bacu bari i Bujumbura nibo batubwira bati : "Tenyenya ntiharagera hari ivyo tutararonka" ».



Ndababise Venansi umugabo wa nyinabo wa Melchior Ndanadaye akaba yari arongoye umugambwe Sahwanya Frodebu mu 1993

Kubwa Ntibantunganya rero, ngo ikibazo co mu Burundi imbere ya vyo-se si ikibazo c'amako. «Ni ikibazo c'amaronko, abashaka kuyashikako bakinyegeza inyuma y'a-moko.»

Ivyo ngo vyaribonekeje no mu gihe c'ibiganiro vy'amahoro vyabereye i Arusha. Bahejeje guharira nk'abadahuza, inyuma y'inama, ubwoko bwose ngo bwahurira mu kirabo kimwe bagasangira akarahuri ataco binona. Ivyo ngo vyaratangaza cane abanyamahanga bari bahagarariye ibiganiro.

Kubona abenegihugu b'i Nyabihanga barashoboye kubana mu mahoro inyuma y'iyicwa rya Melchior Ndadaye, ni ikimenyetso kitabesha c'uko ivyo abarundi bapfa atari ubwoko. Vyongeye ni ikimenyetso c'umwizero ko hazogera igihe abarundi bakarengera burundu ubutandukane bwabo bakabana mu mahoro.

**Mélance Ndayikeze**

# Inyishu ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu mu Rumonge

Mu gihe ingorane mu gisata c'ubutungane ni nyinshi, Nyenicubahiro akaba asaba abajejwe ico gisata kwiyambika umutamana bagatunganiriza ababitura bataravye nkunzi canke ngo babafumbatishije. Basabwa kugendera akarangamutima k'ibanga n'ibango ryabo, ubutungane bugasasagara kandi bukignza mu gihugu cacu, maze abarundi bakenyerere ikivi c'iterambere kitwerekeza ku mbonakazoza twiyemeje, batekanye.

***None ni kubera iki ubusho butandukanye hibonekeza abafungwa benshi, canke n'abaciriwe imanza bakezwa canke bahejeje ikiringo c'umunyororo baduhuta guca barekurwa?***

Mu kiganiro c'abavugizi b'inzego za Reta n'abegihugu n'abamenyeshamakuru, ku kibazo c'abantu baba bejejwe mu manza ariko bakaguma bafunzwe, Umuvugizi w'Ubushikiranganji bw'Ubutungane Nkeshimana Anna Mariya, avuga ko iyo umuntu aciriwe urubanza akezwa canke akagirwa n'icaha, hariho urwego rujejwe gushira mu ngiro urwo rubanza, haba no mu gusohoka ibohero.

Urwo rwego canke abo nabo babijejwe bari ku kivi baraba abantu bejejwe kugira ngo babagirire impapuro zibaga uburenganzira bwo gusohoka amabohero. Nibizere bazosohoka".

Ku cerekeye amadosiye ari mu butungane, yama ahabwa amasango menshi, Umuvugizi w'Ubushikiranganji bw'Ubutungane avaga ko amadosiye ari mu butungane ari menshi cane ko kandi iyi urubanza ruburanishijwe uno munsi, si ngombwa ko ruca rurara rurangiye kuko haba hari urukurikirane rw'amasango rw'imanza ziba zitarashigwa mu ngiro. Ku rubanza rw'umumenyeshamakuru Sandra Muhoza, co kimwe n'izindi manza zose z'aba imanza z'ivyaha, z'akazi, z'amatati, zose ziburanishwa mu masentare amwe.

***Hari agafashanyo kemerewe abagiye mu karuhuko kangana n'imiburiburi n'umushahara yari agezweko wa nyuma, kazoboneka ryari ko haheze igihe kirekire kemwe?***

Umuvugizi w'Umukuru w'igihugu amenyesha bakukuruke ko hasigaye guharura uburyo bwoba busigaye kugira ngo bwunganire ku biharuro vyamaze gushikwako n'umugwi washizweho wiga ivyerekeye ako gafahanyo, ufatiye ku biharuro vyamaze kwegeranwa n'amashirahamwe ategekaniriza abakukurutse ku kazi. Abakukururuke ngo nibahumure kuko ico gikorwa kigeze ku musozo, hasigaye guharura gusa uburyo.

Umuvugizi w'umukuru w'igihugu Rosine Guilene Gatoni aributsa abarundi ko na bo nyene bokwiga kuza baraharura imyaka baba basigaje kugira ngo baje mu karuhuko k'izabukuru, kuko ntawoba akimenyeshwa gukukuruka ngo atangare kuko ku munsi ku munsi duhamagariwe kumenya amategeko atugenga hanyuma tukigengezera bivanye n'amategeko. Umukoresha arahamagariwe kwibutsa umukozi.

Mu gihe abo bakukuruke boba bumva ko barenganijwe ko basezerewe batabimenyeshejwe, hariho ico amategeko avuga. Boca bitura inzego zisnzwe zibijejwe bakaraba igitegekanijwe, mu gihe basezerewe batabiteguje, bagatunganirizwa nk'uko amategeko abivuga. Amategeko niyo avuga uko akazi gakorwa, ingeneuwarenwe atunganirizwa canke mu gihe habaye utunenge, ingene bose bashobora kuronka umuco atawurenganije uwundi.

***Amafaranga mvamakungu azoboneka ryari, ko hari ibintu vyinshi vya nkenerwa bica bibura?***

Umuvugizi w'umukuru w'igihugu Rosine Guilene Gatoni ati: "Nta gihugu na kimwe cateye imbere kidatejwe imbere n'abikorera ivyabo. Niyo umwenegihugu ariko asaba reta ngo nizane amadevize, womenga reta ni ikintu kiboneka, gifadika, ikirobine umuntu yugurura kivamwo amadevize. Muri Reta harimwo n'umwenegihugu, Reta ni twese, umurimyi, ni amakoperative, ni urya ariko aradandaza ni uyo wese ariko arakora igikorwa cose kizana umwimbu. Kubera rero dufise iryo shari ry'iterambere ni ikimenyetso ciza. kuko kugira ico gisharara c'ukuronka amadevize niko twari duhamagariwe kwita ku kivi kugira ngo tugwize umwimbu, dushore hanyuma amadevize aboneke.

Muri ico kiganiro c'abavugizi b'inzego za Reta n'abamenyeshamakuru, harabajijwe n'ibindi bibazo vyinshi vyerekeye ubukene bw'igitoro bubandanya bwibonekeza, ikibazo cerekeye ubutare bwimbwa ariko ntihaboneke umusaruro winjira mu kigega ca Reta, ibiciro biherutse gushinwa ku bifungurwa bimwe bimwe no ku mpapuro nkenerwa mu butungane, n'ibindi n'ibindi. Ivyo vyose vyararonkejwe inyishu ibereye.

Nk'uko vyama bigenda, igice ca kabiri c'ikiganiro kiba gihariwe abenegihugu baba baje kugikurikirana n'ukubaza na bo nyene ibibazo babona vyerekeye ubuzima bw'igihugu muri rusangi. ariko kandi, hari baba baje bafise amadosiye y'imanza zabo z'aba izitarashigwa mu ngiro, zaba iz'abavuga ko barenganijwe. abo rero baca begera abahanuzimu biro vy'Umukuru w'igihugu bakabumviriza.

Umwanya wa nyuma w'ikiganiro wama urangizwa n'ibibazo vy'abenegihugu bahamagara baciye ku muhora wa terefone. Abenshi babandanya bidogera ubutungane ko butabatunganiriza canke ko buteba gushira mu ngiro imanza zabo.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ikibano gifise uruhara uruhe mu gufasha abantu bihereza ibiyayuramutwe (Ibikurikira)

**Ingaruka mbi zo kwihereza ibiyayuramutwe.**

*Ku magara y'umuntu:*

- Indwara zifatiye mu bihimba vy'ihemero,

- Indwara zifatiye mu bihimba vy'irondoka,

- Indwara yo mu mutwe
- Canceri
- Igituntu
- Igitigu.
- Sida
- Kurwaragurika
- Syndrome de manque : kujugumira, diarhée, etc

Ku mugore yibungenze biragira ingaruka mbi ku mwana yibungenze kuko biraca mu ngovyi, bigashikira umwana ku buryo ashobora kuvukana:

- Ubumuga
- Kugira ibiro bike,
- Ubwenge buke, ......

*Ku mibereho yiwe :*

- Gutakaza ubwizigirwa,
- Gutungwa agatoke,
- Gukumirwa mu muryango no mukibano,
- Guheba imirimo yiwe ya minsi yose,
- Agira amahirwe make y'ubuzima.

*Mu muryango :*

- Kwamana uruhagarara mu muryango(parents),

- Kwahukana,
- Uwo mwana arasahura abavyeyi.

*Mu kibano :*



KANYAMUNEZA Emelyne, Psychologue mobilisateur mw'ishirahamwe ALUMA

- Amabi afatiye kugitsina,
- Kugira amaligala hakavamwo n'ubusuma (bimwe bita amakaci).

*Ku gihugu :*

- Gutakaza abakorera igihugu,
- Isesagura ry'ubutunzi bw'igihugu,
- Iterambere mu gihugu riragabanuka.

**Ubufasha bujanye n'ubuvuzi.**

*Ubwo bufasha buri mu miwi 2 :*

1. Gukinga

 *Ihimiriza mu kibano :*

- Ikigo kiratunganya amahimiriza mu kibano kungarukambi zo kwihereza ibiyayuramutwe haba ku magara y'abantu canke mu buzima bwo mu kibano (muhira aho umuntu abaye no mu kibano muri usangi)

- Ikigo kiratunganya amahimiriza mu kibano kugira abafise ingorane zo kwihereza ibiyayuramutwe bashobora kwitura amavuriro,

- Ikigo kiratanga inyigisho zo guhimiriza ku bijanye n'ingorane zivuye ku biyayuramutwe ku mirwi itandukanye yo mu kibano haba urwaruka, abavyeyi, abarezi, abajejwe intwaro, abayobozi b'amashure, abajejwe amasengero, abaserukira abandi mu kibano n'abandi,…

**Ubuvuzi**

Abantu bakirwa mu kigo citiriwe Umweranda Francisco w'i assize bavurwa mu buryo bubiri :

 *Ubuvuzi kubijanye n'amagara yo ku mubiri:*

Ikigo kirafise umuganga n'abaforoma bajejwe kuvura abo bantu bagize ingorane zivuye mu kwihereza ibiyayuramutwe. Iyo umuntu amaze kuba umuja w'i biyayuramutwe, iyo abibuze canke urugero rwivyo afata rwa-gabanutse mu mubiri aragira ibimenyetso ku mubiri bihungabanya amagara yiwe.

Akarorero :

- Hari abagira ububabare mu nda canke ku bindi bihimba vy'umubiri,
- Hariho abayorwa,
- Hariho abacibwamwo,
- Hariho abagira ingorane zo kurukoba,

Muri ico gihe abaganga barashobora kubaha imiti ishobora kubafasha kugira ivyo bimenyetso bigabanuke.

 *Ubuvuzi kubijanye n'amagara yo mu mutwe n'inyifato :*

Ikigo kirafise abahinga mu bijanye n'inyifato Bajejwe gufasha mu bijanye n'inyifata n'ihungabana ry'amagara yo mu mutwe.

Iyo umuntu yabaye umuja w'ibiyayuramutwe, arahungabana mu nyifato ndetse no mu mibereho mu kibano.

*Biracaza*

**Chanel HARINGANJI**

# Uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro mu gihe yiyumva canke abona ko umutekano wiwe ubangamiwe. Gusaba no kuronswa ubuhungiro, ni uburenganzira bwa zina kiremwa muntu wese kandi amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Uburundi yarategekanije ingene bigenda.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro.**

Uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro, burategekanijwe mu masezerano mpuzamakungu atandukanye.

Twovuga nk'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'akabenegihugu, hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye impunzi.

Ingingo ya 3 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko, umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe.

Kubera ivyo, ingingo ya 5 ivuga ko, ata muntu numwe azohahazwa mu buzima bwiwe, azocurwa bufuni na buhoro canke azofatwa bunyamaswa ku buryo bumusinzikaza canke bumutesha agaciro runtu.

Mu gihe ubwo burenganzira duhejeje kudondagura muri iyo ngingo ya 3 n'iya 5 butubahirijwe, ingingo ya 14 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko, umuntu wese, arekuriwe gusaba kandi akaronswa ubuhungiro mu bindi bihugu.

***1.1 Ibituma umuntu asaba kandi akaronswa ubuhungiro.***

Nk'uko amasezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'akabenegihugu abitubwira mu gace ka 3 k'ingingo ya 12, umuntu wese, mu gihe abona ko ubuzima bwiwe bugeramiwe, afise uburenganzira bwo kurondera ubuhungiro mu kindi gihugu, ariko akisunga amategeko agenga ico gihugu aronderamwo ubuhungiro hamwe n'amategeko mpuzamakungu agenga impunzi.

Umuntu amaze gusaba ubuhungiro hanyuma akaburonswa, aca yitwa impunzi, nk'uko agace ka kabiri k'ingingo ya mbere y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye impunzi kabivuga.

Kavuga ko impunzi ari umuntu wese, abonye ko ubuzima bwiwe bubangamiwe bivuye ku rukoba, ku bwoko, ku vyiyumviro vyiwe, kw'idini arimwo, ku mugambwe arimwo, agaheza akarondera ubuhungiro mu kindi gihugu kitari ic'amavukiro, kandi akaba yemeza ko ico gihugu c'amavukiro kidashobora kumukingira. Ijambo impunzi rirakoreshwa kandi ku muntu avuye mu gihugu yabamwo n'aho atari ic'amavukiro, akaka ubuhungiro mu kindi kubera abonako ubuzima bwiwe bubangamiwe.

N'aho atorinda kubusaba, igihe bigaragagara ko umutekano wiwe ugeramiwe, ingingo ya 31 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye impunzi ivuga ko, ibihugu vyayashizeko umukono, vyiyemeje ko abantu bose binjiye ku butaka bw'igihugu bavuga ko bahunze umutekano muke urangwa mu gihugu c'amavukiro, ntibashobora gufatirwa ibihano ngo ni uko binjiye ku butaka batabisavye.

Ibandanya ivuga ko mu gihe bigaragaye vyukuri ko umutekano wabo ugeramiwe, izo mpunzi zitegerezwa guca zakirwa, zigakorerwa ivyo vyose aya masezerano azirekurira.

Ingingo ya 3 nayo ivuga ko, ibihugu vyashize u-mukono kuri aya masezerano, iyo bitanze ubuhungiro, bibutanga kuri abo bose babusavye ka-ndi bafise igituma, atanumwe akumiriwe, hatarabwe ubwoko, idini canke igihugu bavamwo.

***1.2 Ibishobora guhagarika uburenganzira bwo kwitwa impunzi***

Nk'uko tubisanga mu gace ka kabiri k'ingingo ya 14 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro ntibwubahirizwa ku muntu ariko akurikiranwa ku caha yakoze mu gihugu avuyemwo.

Vyongeye ingingo ya mbere y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye impunzi yerekana mu gace kayo A insorongoro y'ijambo impunzi ikongera ikerekana ivyo vyose bituma umuntu yitwa impunzi, iravuga kandi mu gace kayo C ko ubwo burenganzira bushobora guhagarikwa umuntu ntasubire kwitwa impunzi ku mvo zikurikira:

- Iyo impunzi yo nyene ubwayo yiyemereye ko igihugu c'amavukiro gitekanye ko gishobora kumukingira ;

- Iyo umuntu aronse ubwenegihugu yari yaratakaje ariko akaburonka ku gushaka kwiwe ;

- Iyo umuntu afashe ingingo yo gusubira ku gushaka kwiwe mu gihugu yaje avamwo ;

- Iyo bigaragaye ko ivyatumye umuntu ahunga igihugu c'amavukiro vyaheze, ntashobore ku-guma yemeza ko igihugu kidashobora kumukingira.

Nk'uko aya masezerano mpuzamakungu abandanya abivuga mu gace F k'ingingo ya mbere, ubu burenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro,

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro

*(Bitangurira ku rup.10)*
ntibushobora kwubahirizwa kandi ku bantu bagirizwa ivyaha vy'ihonyabwoko, vy'agahomerabunwa canke ivyaha vyo mu ntambara canke ivyaha vyo guhohotera ubuzima bwa kiremwa muntu canke ivyaha bikomeye bihohotera agateka ka zina muntu mu gihugu ico arico cose.

Iyo bigaragaye ko impuzi zishobora gutuma umutekano w'igihugu uhungabana, igihugu cashize umukono kuri aya masezerano gishobora guca kizirukana ku butaka bwaco. Tubisanga mu ngingo ya 32.

### *1.3 Inyifato y'impunzi igihe imaze kuronswa ubuhungiro*

Nk'uko ingingo ya 2 ibivuga, impunzi zimaze gushika mu gihugu c'ubuhungiro, hariho ibitari bike zisabwa. Zitegerezwa kwubahiriza amategeko agenga igihugu c'ubuhungiro cane cane amategeko yerekeye iyubahirizwa ry'umutekano w'igihugu.

Uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro, ntibutegekanijwe mu mategeko mpuzamakungu gusa, no mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi burategekanijwe.

### 2. Ingene amategeko n'amabwirizwa y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro.

Ivyerekeye ingene ubwo burenganzira butegekanijwe, tubisanga mw'ibwirizwa n°1/32 ryo ku wa 13 munyonyo 2008 ryerekeye ingene ubuhungiro butangwa n'ingene impunzi ziri mu Burundi zitegerezwa gukingirwa.

Agace ka 2 k' ingingo ya 5 kavuga ko umunyamahanga wese aje ku butaka bw'Uburundi, yerekana ko ubuzima n'ubwigenge vyiwe bibangamiwe, kandi ko ahohoterwa n'inzego za Reta z'igihugu c'amavukiro, arahabwa ubuhu-ngiro.

### *2.1 Ibisabwa kugira ngo uwubusavye aronswe ubuhungiro.*

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 13 ya rino bwirizwa, umunyamahanga asavye ubuhungiro mu Burundi, ategerezwa gutanga umwidondoro wiwe, urupapuro rw'inzira yakoresheje mu gushika ku butaka bw'Uburundi, akongera agashikiriza icatumye asaba ubuhungiro mu Burundi.

### *2.2 Ingene bigenda mu gihe dosiye iriko irigwa.*

Mu gihe dosiye y'uwusaba ubuhungiro ikiriko irigwa n'ababijejwe, umuntu wese yasavye ubuhungiro, afise uburenganzira bwo kuba arabaye mu Burundi.

Mu kurindira ko abariko baragira umwihwezo wa dosiye barangiza ico gikorwa, inzego zibijejwe ziramuronsa urukaratasi rwerekana umwidondoro wiwe. Tubisanga mu ngingo ya 16.

### *2.3 Inyifato y'umuntu amaze kuronswa ubuhungiro.*

Nk'uko ingingo ya 56 ya rino bwirizwa ibivuga, umuntu yasavye akongera akaronswa u-buhungiro, ategerezwa kuba ku butaka bw'uburundi yisunga amategeko n'amabwirizwa vy'Igihugu, akongera ikirinda inyifato yose yoza ihungabanya umutekano w'Igihugu.

### *2.4 Ibituma uwasavye ubuhungiro ataburonswa .*

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 6 y'iri bwirizwa, Uburundi ntibushobora guha ubuhungiro abantu bagirizwa ivyaha vy'agahomerabunwa, ivyaha vyo mu ntamabara, ivyaha bidasanzwe n'inyifato itabereye.

No mu ngingo ya 10, turasangamwo imvo zitandukanye zituma uwusaba ubuhungiro mu Burundi ataburonswa. Izo nazo ni:

- Iyo yabeshe inzego zibijejwe mu gihe ariko arerekana canke ariko aravuga umwidondoro wiwe ;

- Iyo aterekanye mu kiringo c'amasaha 48 inkaratasi yakoresheje mu rugendo yagize rwamushikanye mu gihugu ashakamwo ubuhungiro;

- Iyo bigaragaye ko yasavye ubuhungiro mu bihugu vyinshi ;
- Bigaragaye ko ata uburenganzira afise bwo kuronswa ubuhungiro ;

- Yirengagije gukurikiza amategeko Uburundi bukoresha ;

-Asavye ubuhungiro yarasanzwe aba mu Burundi akabikora mu ntumbero yo gusamaza ubutegetsi kugira ntibufate ingingo yo kumwirukana ;

- Iyo asavye ubuhungiro haciye igihe gito hasohotse ingingo ya sentare ku vyaha yakoze.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 19, umuntu asavye ubuhungiro mu Burundi bigaragaye ko ahungabanya umutekano w'igihugu, aca yirukanwa.

Mu gusozera, uburenganzira bwo gusaba no kuronswa ubuhungiro bwemerewe umuntu wese, ariko ategerezwa kubanza kwerekana ko ubuzima bwiwe bubangamiwe. Uwuronkejwe ubuhungiro, ategerezwa kwisunga amategeko n'amabwirizwa y'Igihu-gu camuhaye ubuhungiro kandi ategerezwa kubanza gutanga umwidondoro wiwe.

*Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

*(Bitangurira ku rup.5*

Yohani 18, 28; 19,31 turabona ingene abayahudi bahora bitegurira Pasika hamwe n'imigirwa imwe imwe bahora bakora mu kwitegura ndetse n'imiziro bazaririza mu gutegura no mu gufungura Pasika.

Umwagazi wa Pasika abayahudi bahora bahimbaza, wabura YEZU KRISTU Umwana w'Imana nzima azokwitangako inkuka rimwe rizima.

Nkuko tubibona ku bayahudi b'imbere no mu gihe ca Yezu, no mu kinjana ca mbere, abakristu ba mbere bahora bitegurira bikomeye uwo mugirwa wo kumanyurira hamwe umukate mu ntumbero yo kurangura iragi Yezu yasigiye abigishwa biwe Ku wa Kane Mweranda.

Imwe mu migirwa babwirizwa kurangura: nko gusubiza hamwe kubabariranira, guheba imigenzo mibi n'ibindi. Bamaze kwitegura, baraheza bakagira uwo mugirwa wo kumanyurira hamwe umukate.

Imwe mu myiteguro twogira mu gihe tuja kwakira Yezu muri Ukarisiya. Ni:

- Nko guhabwa isakaramentu ry'ikigongwe riheza rigashigikirwa no gusubiza hamwe nabo tuba dufise ivyo dupfa.

- Gutega amatwi Ijambo ry'Imana, mu Nkuka y'imisa, kwumviriza inyigisho, kurizirikana.

Niho rero duca tuboneraho kuvavanura n'ivyo vyose vyodusamaza mu gihe twitegurira guhimbaza no kwakira Ukarisiya Nyeranda.

Aho twovuga nko :

- Gucererwa canke gusamara no gusamaza a-bandi mu nkuka za Mi-sa, (amatelefone, kuguma uhaguruka usuhoka hanze mu gihe co guhereza inkuka y'imisa..);

- Kwirinda kugira inyifato itabereye mu ngoro y'Imana (kwicara ugeretse ukuguru ku kundi...),

- Kwirinda kwambara impuzu zitaberanye kuja mu ngoro y'Imana,...

- Ico twokwitwararika kandi n'ugushika kare mu ngoro y'Imana kugira tuzirikane ico tuje gukora kandi tugataha ar'uko Inkuka ya misa irangiye.

Turahamagariwe kubahiriza ibiringo vy' Inkuka ya misa ( kubivuga vyose no kubisigura).

Twakiriye Ukarisiya Nyeranda twiteguye koko, niho duheza tugashikira ivyamwa nyavyo biva kuri Yezu tuba twakiriye.

**3. Ivyamwa biva kukwakira Ukarisiya Nyeranda.**

Yezu yabwiye abigishwa biwe ati: " ikininahaza Data n'uko mwokwama vyinshi (Yohani 15,8). Umukristu yama ivyamwa vyinshi aba ariko arahereza inkuka ininahaza Imana.

- Ivyo vyamwa na vyo ni bimwe Paulo mweranda adondora muri Galate 5,22-23: ***Urukundo, akanyamuneza, amahoro, ukwiyumanganya, ubukundanyi, ubuntu, ukwemera, ubutekereji n'ukwigumya»***.

(Mwene ivyo, nta tegeko ribibuza. None rero, aba Kristu Yezu barabamvye kamere y'umubiri hamwe n'ingeso mbi zayo n'ivyipfuzo vyayo).

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Diyoseze ya Bubanza yaraye ironkejwe Umwungere mushasha

*(Bitangurira ku rup.4)*

- Mu ntara ya Gihanga ni Patiri Liboire Sahinguvu.
- Mu ntara ya Cibitoke ni Patiri Elie Bucumu.
- Mu ntara ya Mabayi ni Patiri Romain Ndihokubwayo

3) Umunyabigega wa Diyoseze ni Patiri Méthode Ndikumana
4) Uwejejwe kwegeranya ibijanye n'amabanga ya diyoseze ni Patiri Joseph Butoyi.

Yarangije ijambo ryiwe ashimira abantu b'inta-



ra za Bubanza na Cibitoke ku mutima bamweretse mu kumwakirana igishika, igihe yimukira ku cicaro c'Umwepiskopi i Bubanza, ivyo ngo bikaba vyamwongerereje ingoga nyinshi z'ugukorera igihugu c'Imana. Ntiyibagiye no gukengurukira abari bitavye urwo rubanza bose bari baje kumushigikira, ati: « Mwese muragahorana imigisha y'Imana ».

Arongerako ati: « Umwe wese agire amahoro mu mutima, agire amahoro mu mutwe, agire amahoro mu nda, agire amahoro mu biwe no mu twiwe, mubandanye mugira imigisha y'Imana, n'akarangamutima k'abana b'Imana »

***Murakoze***

Mwomenya ko igenwa ryiwe ryo kuba Umwungere wa Diyoseze ya Bubanza ryabaye ku wa 15 ruhuhuma 2025, rimenyeshejwe n'Intumwa ya papa mu Burundi, Musenyeri Dieudonné Datonou, hari ku munsi wo guhimbaza Yubile y'imyaka 100 irangiye hatiwe abasaserdoti babiri ba mbere b'Abarundi, hariya i Mugera.

*Patiri Noël Ntirandekura*